## *I. Incamake y'icegerany(Ibikurikira urupapuro 5)*


Ikigara co hejuru cerekana imigwi 5 y'ihohoterwa mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Bujumbura na Burunga ziza kw'isonga mu guhonyanga agateka ka zina muntu cane ku ncuro 10 imwe imwe,hagakwirikira Gitega ku bantu 7,hanyuma Butanyerera ku bantu 6 na Buhumuza ubwanyuma kubantu 3.

Gutyo,muri kuno kwezi kwa Rusama 2026 kugizwe n'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 39 bakorewe amabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ahanini agabuye ugukwirikira:abantu 17 bishwe,abantu 3 banyurujwe,12 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,abantu 5 baborejwe igufa na 2 bahagaritswe.

***Igicapo 2: Ikigara cerekana abantu nyamukuru bikekwako uguhonyanga agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri Ndamukiza 2026***

| Abikekwa ko babikoze | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Zose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abapolisi | 0 | 1 | 2 | 0 | 0 | 3 |
| Abo mu ntwaro | 0 | 1 | 1 | 0 | 1 | 3 |
| Iperereza | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Iyindi migwi | 0 | 0 | 3 | 1 | 1 | 5 |
| Abantu batamenyekanye | 3 | 6 | 1 | 1 | 4 | 15 |
| Imbonerakure | 0 | 2 | 1 | 2 | 2 | 7 |
| Ukwihora | 0 | 0 | 4 | 2 | 1 | 7 |
| **Bose hamwe** | **3** | **11** | **12** | **6** | **9** | **41** |




Kubwo ikigara,ku mabi yose yaharuwe y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu muri kino cegeranyo ca Rusama 2026, ayakozwe n'abantu batamenyekanye biboneka ko ariyo menshi ku bantu 15 agakurikirwa n'ayakozwe n' imbonerakure ku bantu 7 ,hagaca haza umugwi uzwe na "abandi", nk'abigenga harimwo abadandaza,amabi yo munzu arimwo amabi afatiye ku gitsina ku bantu 5, incuro 3 yakozwe n'abapolisi, rimwe yakozwe n'intwaro,1 abakorera iperereza.Twomenyesha ko muri ayo mabi harimwo abana 4 bishwe.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

Muri Rusama,mu Burundi, amagara y'abantu yahuye n'ihungamana rikomeye ritewe n'ibiza bititeguriwe. Kuva kuwa 28 Ndamukiza 2026, ubwoko bw'indwara 2 ziyobeye bwaravuwe ku bitaro vy'i Kigutu,mu ntara ya  Burunga. Abo barwayi bava muri karatiye Birimba mu Rumonge,zifise ibimenyetso vy'ubushuhe bwinshi,ariko ibipimo vyakozwe ntibwerekanye  ivyo bikeka. Mu nama yo kuwa 8 Rusama,umuganganga mukuru mu karere,Dr Jérémie Niyonkuru,yamenyesheje ko umushikiranganji yiyemeje gukora amatohoza kugira bamenye ahava iyo ndwara iteye amakenga.

Muri komine Karuzi,mu ntara ya Gitega,ikenera ry'imiti riteye ubwoba ryarakwiragiye mu bigo vyose vy'ubuvuzi. Abarwari bategerejwe kugua imiti yabo mu mazu y'ubudandarizo bw'abigenga,bituma ubuvuzi bwa gusa bemerwe bidashirwa mu ngiro,cane cane ku bakenyezi bibungenze hamwe n'abana bari munsi y'imyaka 5. Ibitaro,bitagira ibikoresho vya nkenerwa,bafise ububiko bw'imiti mike ihera nk'aka kanya,mu gihe abakozi bo muri ubwo bushikiranganji,bahembwa nabi,bari mukangaratete. Ivyo vyabaye nabi,abakozi bamwe ntibaronse umushahara wabo haciye amezi menshi.
.

Mu Rumonge, amakenga menshi akora ku banyagihugu ajanye n'ikiza caEbola, kube iyra iyongerekana ry' abayirwaye muri Repuburika iharnira demokarasi ya kongo.  Ikivuko ca Rumonge,umuryango mukuru ku ngenzi ziva muri kongo,kirakenye cane inyubako yo gushira umuwayi ukwa wenyene. Abakozi n'abajejwe umutekano bumva aribo bazotangura kuyandura,ntibafise ibikoresho bikwiye kugira bashobore gusuzuma abafashwe. Naho urugendo rwo kugenzura rwakozwe n'indongozi mu gisata c'c'amagara y' abantu,nta makuru namwe yatanzwe ku mugaragaro kugira bahumurize abanyagihugu.

Kubwo iyo mvo itee amakenga,musitanteri wa komine Rumonge, Augustin Minani, yafashe ingingo yo kugira ico ashikiriza. Yatumyeko inama yaho kugira anoganze ingingo zo kugenzura ahantu hose hari inzira yinjira iva hanze. Yarafashe kandoi ingingo yo kwugara ayandi mayira abayabaye hamwe no kurungika ingenzi zoseziva mui RDC ku kivuko ca Rumonge.Ariko,ivyo bikorwa ntivyashoboye kugabanya amakenga y'abakozi,baguma basaba indongozi kwugurura vyihuseubuvuzi bukurikije amategeko ya OMS,kugira bakinge ikiza gishobora kwaduka mu ntara ya Burunga.

## *II. 3. UBURENGANZIRA KU MIGWI*

### *II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*

*Uburenganzira bw'abana burakingiwe muBurundi biciye mu masezerano mpuza makungu avuga ku burenganzira bw'abana (CIDE) yashizweko umukono mu 1990. Igihugu caranashizeho          amategeko hamwe na politike yo gukingira abana.*

Naho biri uko,ingorane ziracari nyinshi mu bikorwa.Mu kiringo ca Rusama kigize iki cegeranyo,uburenganzira bw'umwana barakozweko cane. Hejuru yo gufata ku nguvu,hamwe n'ayandi mabi twavuze ubwa mbere ku bana b'abakobwa akiri bato.

Umuhari Iteka,waratohojekandi abana 4 bishwe,ugukubagurwa bitwaza  ngo ni ibihano hamwe n'ugukorora inda. Ivyo bishira ahabona umurindi w'amabi akorerwa abana kandi bigatera amakenga kubijanye no gukingira n' ubutungane kubashikirwa cane n'amabi muBurundi.

